Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 72
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

Email:journalndongozi@gmail.com

Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Facebook:Ndongozi y'Uburundi

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. WhatsApp 71532337 N°835 15 Ntwarante 2025

## Ukugira ubuzima bushasha mu kwakira ukaristiya ( Luka 22, 14-20)

Bavukanyi, nta handi ubuzima bushasha bushingira atari muri Yezu Kristu cane cane mu kumwakira m'Ukaristiya, akatubera Umukama, Umukiza, Umwami n'Umucunguzi wacu. Uwo Yezu, duhura nawe mw'Ijambo ryiwe, mu masakaramentu cane cane muri Ukaristiya.

Nico gituma nashimye ko tuganira kubijanye n'isakaramentu ry'agakura Yezu Kristu we nyene ubwiwe yashinze kuwa kane mweranda. Ni isakara-mentu ry'Ukaristiya. Muri iyi nyigisho tuzo-shimikira ku mice itatu:

**1. Uko twotahura Ukarisiya Nyeranda.**

Isakaramentu ry'Ukaristiya ni rimwe mu masakaramentu indwi Ekleziya ihimbaza. Naho ari rimwe muri yo ico twomenya n'uko ari ryo rikuru mu yandi yose.

Kukaba nkako niryo rigize Ekleziya naho nyene rihimbazwa muri yo Ekleziya nyene.

Iryo sakaramentu rishinze imizi muri Pasika y'Umukama. Na kare ni ryo ragi Yezu yasigiye abigishwa biwe kandi abategeka kubigira bamwibuka.

Iryo sakaramentu riza kurangura ivyo abayahudi bahora bahimbaza mu kwibuka umusi Imana yabakura mu buja muri Egiputa bagana igihugu c'isezerano (Amategeko 26,5-9).

Ng'ivyo ivyo bahimbaza mu gihe c'isabato.

***Dusomye Amategeko 16,1-8: Ipasika***

*Urubahiriza ukwezi kwa Abibu, kandi ugirire Ipasika Umukama Imana yawe, kuko mu kwezi kwa Abibu ari ho Umukama Imana yawe yagukura mu Misiri, mw'ijoro.*

*Uzohereza Umukama Imana yawe imbagwa y'Ipasika, ivuye mu bitungwa bitobito no mu bitungwa bininibinini, uyiherereze mu kibanza Umukama yitoreye ngo ahashire icicaro c'izina ryiwe. Ntuzorye u-mukate wambiye hamwe n'iyo mbagwa; mu gihe c'i-misi indwi, uzorya imikate itambiye,*

Soma ku Rup. 5

Abakozi ba Ndongozi

Uwujejwe uruganda:
* A. Noël NTIRANDEKURA

Abamenyeshamakuru:
* A. Noël NTIRANDEKURA
* Mélance NDAYIKEZE
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Uwujejwe ubuhinga:
* Chanel HARINGANJI

Umunyamabanga:
* MSV Marie Goreth NDIKUMANA

Umunyabigega:
* MSV Nadine HARAGIRIMANA

Uwujejwe imigenderanire:
* J. de Dieu NDIKUMANA

## Ihimbazwa ry'umunsi mpuzamakungu wahariwe abakenyezi



Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o Igiti n'akamaro kaco....................................................7
o Ku ncuro ya mbere mu Burundi hagiye gutangwa urucanco rwa malariya....................................................8
o Igikorwa co kunywanisha abarundi kirihuta ariko hakenewe uburyo bwinshi....................................................9
o Uruhara rw'ibihugu mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'abakenyezi....................................................10

# Idominika ya Gatatu y'Ikarema: *Umwaka C*

## Igisomwa ca mbere: *Ihunguka 3,1-8a. 10.13-15)*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ihunguka:

*«Imana-Mukiza yimenyesha Musa»*

Muri irya misi, Musa yaragira ubusho bwa sebukwe Yetro, umuherezankuka wa Madiyani. Umusi umwe, yari yazijanye hirya y'ubugararwa, ashika ku musozi w'Imana, i Horebi. Umumarayika w'Umukama aramubonekera mu rubeya rw'umuriro ruva mu gisaka hagati. Musa aritegereza, abona nya gisaka kirarurumba ariko ntikirimuke.

Musa avuga ati: «Ngira nkikûze kugira ngo ndabe ico gitangaza, ndabe n'igituma ico gisaka kitarimuka.» Umukama abona ko yakikuje ngo arabe; Imana iramuhamagara iri hagati muri nya gisaka, ivuga iti: «Musa, Musa!» Na we avuga ati: «Ndarengutse.» Imubwira iti: «Ntiwegere hano! Nukure inkweto ku birenge vyawe kuko iki kibanza urimwo ari isi nyeranda.» Imubwira iti: «Ndi Imana ya so wawe, Imana ya Aburahamu, Imana ya Izahaki, Imana ya Yakobo.» Musa yipfuka mu maso kuko yatinya kuraba Imana.

Umukama avuga ati: «Narabonye amagorwa y'igihugu canje kiri mu Misiri kandi naracumvise gikoma induru imbere y'abagikoresha. Ni vyo, ndazi ububabare bwaco. Namanutse ngo ndabakure mu vyara vy'Abanyamisiri, ndabavane muri ico gihugu, ndabadugane mu gihugu ciza kandi cagutse, mu gihugu gitembamwo amata n'ubuki. Ubu rero genda; ndakurungitse kwa Farawoni, ukure mu Misiri igihugu canje, bene Israyeli.»

Musa abwira Imana ati: «Ehe! Ngira ngende kwa bene Israyeli, ndababwire nti: «Imana ya ba sokuru banyu yantumye iwanyu». Nibambaza bati: «Izina ryayo ni irihe?», nzobishura iki?» Imana ibwira Musa iti: «Ndi uwo ndi.» Irongera iti: «Uzobwira bene Israyeli uti: 'Ndi uwo ndi' yantumye iwanyu.»

Imana ibwira kandi Musa iti: «Uzobwira bene Israyeli uti: «Umukama Imana ya ba sokuru banyu, Imana ya Aburahamu, Imana ya Izahaki, Imana ya Yakobo yantumye iwanyu». Ng'iryo izina ryanje imyaka yose, ni ko bazohora banyambaza uko imyaka izogenda irabisikanya.»

## Igisomwa ca kabiri: *Abanyakorenti 10,1-6. 10-12*

Ivyo dusoma mw'Ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti:

*«Imana iratwibutsa ngo twisubireko»*

Ncuti zanje, sinshaka ko muyoberwa ivyabaye mu gihe ba sokuru bava mu Misiri. Baragendeye munsi ya ca gicu bose, bose baraciye hagati ya ca kiyaga kandi bose barabatijwe hamwe na Musa muri ca gicu no muri ca kiyaga, vyongeye bose barafunguye ya mfungurwa imwe ya Mutima, kandi bose baranyoye ya nyobwa imwe ya Mutima.

Nkako, banyoye kuri rwa rutare rwa Mutima rwabaherekeza, urwo rutare na rwo rwari Kristu. Ariko rero benshi muri bo Imana ntiyabasanzemwo ibiyinezereza, kuko baguye mu gahinga, mu bugararwa. Ivyo vyarabaye kugira ngo bitubere akarorero, ntitwipfuze ibibi nk'uko ba bandi bavyipfujije.

Kandi ntimwidodombe, nk'uko bamwe muri bo bidodomvye maze bakamarwa n'uwatumwe kubahonya. Ivyo vyose vyabashikiye kugira ngo bitubere akarorero, kandi vyanditswe ngo bitubere impanuro, twebwe twegereye umuhero. Bimeze uko rero, uwigira ngo arahagaze, niyitegereze yoye kugwa.

## Inkuru nziza: *Luka : 13,1-9*

Ijambo ryawe ni iry'ukuri, Mukama, itegeko ryawe na ryo ni ubukiriro.

Umukama yavuze ati: «Nimwihanure, kuko Ubwami bw'ijuru buri hafi.»

Ijambo ryawe ni iry'ukuri, Mukama, itegeko ryawe na ryo ni ubukiriro.

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nk'uko yashikirijwe na Luka:

*«Imana ntihengeshanya kudukebura ngo twihanure»*

Umusi umwe, haza abantu biganira Yezu ayashikiye Abanyagalile, ukuntu Pilato yabajaniranije n'imbagwa bari baje guhereza. Arabishura ati:

«Mugira ngo abo Banyagalile babonye ayo yose, kuko bari abacumuzi kurusha abandi Banyagalile bose? Ndabibabwiye: Haba namba, ariko na mwebwe nimutihana, muzoshira gutyo mwese. Canke, ba bandi icumi n'umunani basidukirwako n'umunara wa Silowe, ukabica, mugira ngo bari bakoze akabi gasumba ak'abandi bose baba i Yeruzalemu? Ndabibabwiye: Haba namba, ariko na mwebwe mudahindutse, muzoshira mutyo mwese.»
Araheza abacira uyu mugani, ati:

«Habaye umuntu yari afise umutenahi mu murima wiwe w'imizabibu. Aza kuwuronderako icamwa, asanga ntihagirako namba. Abwira uwamurabira imizabibu ati: «Raba, haheze imyaka itatu yose nza kurondera ivyamwa kuri uyu mutenahi, sinsangeko namba. Wuce rero! Ni kuki wokwonona ubwatsi ku busa?» Na we amwishura ati: «Databuja, banza urorere uyu mwaka, mbanze nimbe iruhande, ndawutabire. Ubwo, hari n'aho wokwama, nutama na ho uzowuca».»

# Umusaraba ni ikimenyetso c'urukundo n'ikigongwe

« *Imana yarakunze isi gushika n'aho itanga Umwana wayo w'ikinege, ngo uwumwemeye wese ntapfe, aronke riho ubuzima budahera* » (Yohani 3, 16).

Ku musaraba, ari co kimenyetso c'Ukwemera kwacu n'urukiza rwacu, niho Kristu yagaragariza urukundo adukunda agirako aratwitangira.

Nta yindi nsiguro idutomorera neza ibanga ry'umusaraba, atari urukundo Imana idufitiye, ikaba yashatse kurutugaragariza mu Mwana wayo yigize umuntu, akatwitangira mu guheba ubuzima bwiwe.

Ni ikimenyamenya c'ubuntu n'ikigongwe Imana ifitiye abantu bari bacumuye. Nk'uko yaturemye ku rukundo rwayo, ni ko kandi yaducunguye, ku kigongwe cayo (aha twosubira kwibukanya inyigisho twahawe zerekeye uyu Mwaka mweranda w'Ikigongwe c'Imana).

**1. Ku musaraba harangukiye ibanga ry'icungurwa ryacu.**

Papa Benedikto wa XVI, mu nyigisho yashikirije urwaruka igihe c'ihwaniro ry'i Madrid (muri Espagne), mu mwaka w'2011, yagize ati : « Turemera ata gukekereza ko Kristu Yezu yitanze ku musaraba ngw'atwereke urukundo rwiwe.

Mu kubabara kwiwe, yaratwaye amagorwa yacu, yiremeka ibicumuro vyacu. Yaraturonkeye ikigongwe kandi atwuzuriza na Mana Se, akatwugururira artyo irembo ry'ubuzima budahera. Kubw'ivyo, twabohowe imvuto zizingamika ubuzima bwacu : ubuja bw'igicumuro.

Turashobora rero natwe gukunda abantu bose, tugakunda n'abansi bacu nyene, tukereka urukundo dufitiye benewacu bagowe n'abaruhijwe gusumba abandi (…) Kenshi Umusaraba uradutera ubwoba, kuko umeze nk'umwansi w'ubuzima.

Ariko mu vy'ukuri si uko bimeze ! Umusaraba ni « EGO » y'Imana ku muntu, ni ikimenyetso c'agakura c'urukundo rwayo, ukaba n'isoko ry'ubuzima. Nkako, mu Mushaha wa Yezu wasogoswe ku Musaraba, habaye isoko ritemba ubuzima bw'Imana kuri uwo wese yemera kuraramura amaso ayerekeza kuri Kristu yawubambweko. None rero, ndabatumiriye ngo mwakire Umusaraba, kimenyetso c'urukundo rw'Imana n'isoko ry'ubuzima bushasha.

Muri Kristu yapfuye akazuka, ni ho honyene hari urukiza ! Ni We musa ashobora gukiza isi inabi kandi agakomeza Ubwami bw'Ubutungane, bw'Amahoro n'Urukundo twese duhurumbira ».

Ivyo biradufasha gutegera ububasha n'ubwaguke bidasanzwe mw'ibanga ry'Icungurwa ryacu (Puissance insondable du mystère de la Rédemption).

Mu Kwakira n'ukwihweza Umusaraba, biradufasha gutegera ya Nkuka nyeranda y'urukiza, tugaheza tugafata ingingo yo kugendanira Kristu mu Nzira y'urukundo, dukomejwe n'inema yiwe.

Ngo « Urukundo n'Umusaraba biragendana». Umusaraba uratyorora urukundo, na rwo urukundo rugatuma umusaraba uba umutwaro utaremereye (uhwahutse).

Umusaraba urakosora amakosa yacu kandi ugartyorora ibicumuro, na rwo urukundo rugakiza isi, kandi rugatanga ubuzima. Umusaraba uratwerekeza ku Mana, mu rukundo na ho, Imana ni Yo itwegera (Dieu s'abaisse à nous, par amour).

Ese mu kwakira Umusaraba iwacu, vyodufasha gutegera iryo banga dusangiye n'Imana. Kw'ishure ry'Umusaraba, ni kw'ishure ry'urukundo n'umuvukano.

Mu kinyegezwa c'Umusaraba wa Kristu, ni ho yahanaguye igicumuro c'isi. Ku bwawo no ku bw'ububabare yarinze, yabaye koko wa Mwagazi w'Imana ukura igicumuro c'isi (raba Yohani 1, 29).

Muri ico kinyegezwa kidasanzwe, Imana yashatse kwunga ubunywanyi n'abantu, muri wa mugambi wayo wo gucungura bose, ikadusesekariza urukundo muri Kristu wayo, kubw'amaraso yasheshe ku musaraba. Yaratwiyujurije na Yo mu mubiri w'Umwana wayo (raba Abanyakolosi 1, 19-22).

Paulo mweranda, arabidusobanurira neza, atubwira ko ku Musaraba ari ho kristu yatsindiye igicumuro. « *Mwebwe mwari mwarapfuye kubera ibicumuro vyanyu (…), none Imana yarabagize bazima kumwe na we, mu kubarekurira ibicumuro vyanyu vyose. Yarahanaguye urwandiko rurimwo ingingo zatwagiriza, rumwe nyene rwaturega, iraruzimanganya mu kurubamba ku musaraba, abafise ubukuru n'abafise ububasha, ibamaramariza mu maso ya bose, iba ari wo ibatsindirako* » (Abanyakolosi 2, 13-15 ; raba kandi Abanyefezi 2, 16).

Mu gitangaza c'Umusaraba :

- Kristu yariremetse ibicumuro vyacu, ngo tube bazima mu butungane, inguma ziwe ni zo zadukijije (raba 1 Petero 2, 24 ; Izaya 53, 5));

- Ntiyiremetse gusa ibicumuro, yarabihanaguye, atanga ikigongwe kivuye ku rukundo adufitiye (raba Luka 23, 34). Umusaraba, ni icamwa c'urukundo rw'Imana irtyorora ibicumuro vy'abantu.

- Ni ho Imana yaduhishuriye ikigongwe cayo n'ubutungane bwayo.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ihimbazwa ry'umunsi mpuzamakungu wahariwe abakenyezi

(Bitangurira ku rup. 1

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 8 Ntwaranye 2025 wari umusi mpuzamakungu wahariwe abakenyezi.

Mu gihugu cose wahimbarijwe ku murwa mu kuru w'intara ya Bubanza, ibirori bikaba vyari vyatewe iteka n'Umukuru w'Igihugu cacu, Icegera c'Umukuru w'Igihugu, Umushikiranganji wa mbere, abaserukira ibihugu vyabo n'amashirahamwe mpuzamakungu, hamwe n'indongozi nkuru zitari nke zo muri iki gihugu tutibagiye n'abaje bava mu ntara zose z'igihugu.

Ibirori vyuguruwe n'idefile ndende y'amashirahamwe atandukanye , ikaba yarangijwe na defile y'abasirikare n'abaporisi b'abigeme n'abakenyezi.

Mw'ijambo ryo kwakira abashitsi ryashikirijwe na Buramatari w'Intara ya Bubanza Cléophas Nizigiyimana, yarashikirije intambwe umukenyezi agezeko mw'iterambere ry'intara, kuko ngo abatari bake bijukiye amashirahamwe yo kwiteza imbere.

Araheza atumirira abigeme kwiyandikisha ku bwinshi muri kaminuza y'intara igiye kwugurura ibikorwa kuva muri uku kwa Ntwarante. Yanakanamenyesheje ko no kwiyandikisha vyatanguye.

Ijambo ryakurikiye ni ijambo ry'umukenyezi Emerance Bucumi arongoye urunani rw'abakenyezi mu gihugu (Forum des femmes), aho yashikirije ivyo urwo runani rumaze kurangura, agasaba ko Reta yobafata mu mugongo na cane cane mu kubaronsa uburyo bwo kwiyunguruza, agasaba abakenyezi guhagurukira rimwe bakitabira imigambi ibateza imbere, bareke kuguma bazera inze.



Yarongeye araha impanuro abakenyezi ko bokwigenza neza, aho bari bakaba intangarugero, mu mwete no mukwigenza neza.

Ijambo nyamukuru ryashikirijwe n'Umukuru w'Igihugu Evariste Ndayishimiye, aho yaragarutse cane ku gaciro k'umukenyezi mu rugo, mu ntara no mu gihugu mw'iterambere ry'igihugu, ariko agirako abahanura kwakira ikibanza cabo mu kibano no mu rugo. Ati: «Inkokokazi ntirigera ibika ati kandi ntizobika».

Umukuru w'Igihugu yarerekanye itandukaro riri hagati yo kungana kw'abakenyezi n'abagabo bikunze kuvugwa: umukenyezi asanganywe intege nke n'inguvu kuri bamwe bamwe ntizingana n'iz'abagabo, ati nk'akarorero hari ahantu notuma umusirikare w'umugabo akamarayo indwi atoze, ariko umukenyezi ntiyoshobora kumara indwi atiyuhagiye, ati ikindi kandi iyo umukenyezi yibungene hanyuma akibaruka, ategerezwa kuronswa umwanya wo kuruhuka no kwonsa umwana, ati ariko k'umugabo ntagihinduka, ati ariko hageze ibikorwa vy'ubwenge abagabo n'abagore barabinganya mbere ngo hariho n'abakenyezi usanga bari imbere y'abagabo muri ivyo bikorwa vy'ubwenge.

Ati umukenyezi rero haba mu rugo canke ku mirimo itandukanye, yama ayikorana ukwitanga kuko n'ibiboneka imisi yose.

Umukuru w'Igihugu yahaye impanuro abakenyezi bamwe bamwe bigenza nabi, bata ibanga, bagendera mu ngeso mbi, bambara nabi... ngo bahinduke. Yaranavuze n'inkomoko y'ijambo "imaraya" ngo ingeso yo kwambara impuzu ngufi abarundi bayibonana abazungukazi bavuye i Buraya.

Umurundikazi yambaye nkabo yabiganye baca bamwita "imaraya" bisigura mu rurimi rw'igiswahiri "mama wa uraya".

Abasaba kuja barabura imico irimwo iteka n'ubuntu.

Yaratanze impanuro ku bagabo bahahaza abakenyezi babo, bakabatana ibikorwa, bakabarya imitsi ko uyo muco mubi woranduranwa n'imizi.

Yarasavye abajejwe intwaro n'umutekano gusambura amarigara, maze aho babonye abagabo canke imisore baraho ataco bariko barakora, bazofatwe bajanwe babereke ibikorwa bakora badahembwa, ati mu yindi misi ntibazogenda batikubise agashi baje gukora iwabo.

Imbere y'uko ibirori birangira, haratanzwe ubushimwe butari buke ku bitanze kurusha abandi mw'iterambere ry'abakenyezi mu mabanga bashinzwe.

**Emmanuel Havyarimana**

# Ukugira ubuzima bushasha mu kwakira ukaristiya ( Luka 22, 14-20)

(Bitangurira ku rup. 1

*umukate w'amarushwa, kuko wavuye mu gihugu ca Misiri igihutihuti, kugira ngo wame wibuka imisi yose y'ubuzima bwawe umusi waviriyemu gihugu ca Misiri.*

*Ntihagire icitwa umwambiro babona iwawe, mu gihugu cawe cose igihe c'imisi indwi, canke inyama uzoba wahereje ku mugoroba w'umusi wa mbere, kandi ntihagire ico uzoraza ngo gishike mu gitondo. Ntushobora guhereza imbagwa y'Ipasika mu gisagara ico ari co cose Umukama Imana yawe aguhaye.*

*Ahantu Umukama Imana yawe yitoreye agashiraho icicaro c'izina ryiwe, ni ho honyene uzohereza imbagwa y'Ipasika, ku mugoroba, harya ku kirengazuba, mu gihe nyene waviriye mu Misiri. Uzoteka imbagwa y'Ipasika kandi uyirire aho Umukama Imana yawe azoba yitoreye, hanyuma bukeye mu gitondo uzogaruka usubire mu mahema yawe.*

*Mu gihe c'imisi itandatu, uzorya imikate itambiye; ku musi ugira indwi, hazoba ikoraniro ry'Umukama Imana yawe. Nta gikorwa na kimwe uzokora.*

***Ihunguka12,1-14: Ipasika.***

*Umukama abwira Musa na Aroni mu gihugu ca Misiri ati: «Uku kwezi kuzobabera ukwa mbere mu mezi, muzokugire ukwa mbere mu mezi y'umwaka. Mubwire umuryango wose w'Israyeli muti: "Kw'igenekerezo ry'icumi ry'ukwo kwezi, urugo rurafata umwagazi, umwagazi ku rugo.*

*Abo mu rugo babaye bake ku mwagazi, bazowusangira n'umubanyi wo hafi y'urugo, baravye igitigiri c'abantu. Muzotora umwagazi muravye ico umwe wese ashobora kurya. Muzoraba umwagazi utagira akanenge, impfizi y'umwaka umwe, muyitore mu ntama canke mu mpene.*

*Muzowuzigama gushika ku musi w'icumi na kane w'uku kwezi. Ishengero ryose ry'umuryango w'Israyeli rizowubaga ku kirengazuba. Bazofata amaraso, bayamijagire ku bishimaryango bibiri no hejuru y'umuryango w'inzu bazowuriramwo.*

*Muri iryo joro, bazorya inyama zitaze ku muriro, bazikoze imikate itambiye n'imboga zirura. Ntihagire na kimwe murya kibisi canke gitetse mu mazi atari igitaze ku muriro gusa; muzoryana n'umutwe, amaguru be n'ivyo munda. Gushika mu gitondo, nta co muzosigaza.*

*Ikizoba kigisigaye mu gitondo, muragiturire. Muzokirya mutya: muzoba mukenyeye, mwambaye inkweto, mufise inkoni mu minwe, mukirye mwihuta. Ni Ipasika y'Umukama. Nzohetura igihugu ca Misiri muri iryo joro. Nzokwica icitwa imfura cose mu gihugu ca Misiri, kuva ku muntu gushika ku bitungwa. Nzofatira ingingo imana zose zo mu Misiri.*

*Ni jewe Umukama. Amaraso azobabera ikimenyetso ku nzu muzoba murimwo. Mbonye amaraso, nzobarengana, nayo ico kiza ruhonyanganda ntikizobakorako ninatikiza igihugu ca Misiri. Uyo musi uzobabera icibukirizo. Muzowuhimbaza nk'umusi mukuru w'Umukama uko imvyaro zanyu zizokurikirana, muzowuhimbaza nk'itegeko ryamaho.*

Turabona ingene abayahudi bahora bitegura kugira bafungure Pasika.

Aha kandi twomenya ko Pasika yahimbarizwa mu muryango . Ntawisangiza Pasika.

Uguhimbaza Ukarisiya Nyeranda, bifise insiguro ishingiye ku buzima bw'imyaka yose. Nkako ni imfungurwa y'ubuzima budahera.

Dufatiye muri kahise, duhimbaje Ukarisiya Nyeranda twibuka ikinyegezwa ca Pasika y'Umukama.

Muri k'ubu, Ukarisiya itwibutsa ubuzima bushasha turonka igihe cose duhimbaje Ukarisiya ku-ko duheza tukibuka ya Pasika yiwe nyene.

Nayo muri kazoza, iryo sakaramentu riza kudusubiza umwizero w'isangira tuzogira mw'ijuru hamwe n'Imana.

Iryo sakaramentu kandi rirafise kahise karekare katwereka uko umugirwa wo guhimbaza Ukarisiya Nyeranda wagiye urahererekanywa maze uratera imbere uko imyaka yaza irabisikanya gushika n'ubu.

Nk'akarorero, turabona ko:

a) Mu gihe ca Yezu, we nyene yagiye ararangura uwo mugirwa.

Ubwa mbere mu kugwiza imikate afungurira ishengero, ndetse no mu kugaburira abigishwa biwe umukate n'umuvinyu bimenyesha umubiri n'amaraso yiwe... (Raba aho Yezu yagwiza imikate akagaburira isinzi ry'abantu)

Mu myaka yakurikiye, baba abatumwa ba Yezu canke abakirisu ba mbere, bararanguye iragi Yezu yabasigaranye mu kumanyura umukate. (Raba Ibik. Vy'Abatumwa).

Tutiriwe turasigura vyinshi, dutahure muri make ko Ukarisiya itwibutsa ivyo Yezu yaranguye mu kwitangako inkuka rimwe rizima. Ni imfungurwa y'abari ku rugendo ng'aha kwisi, abagize umuryango w'abana b'Imana, ikaba n'imfungurwa y'ubuzima budahera.

b) Uwitanze ni nde ?

Inkuka ya Kristu ku Kalvariyo : Izayi 52, 13 - 53.

Ibikur. urup. 12

# Ku ncuro ya mbere mu Burundi, hagiye gutangwa urucanco rwa Malariya

Mu gihe Malariya ari indwara yica abantu benshi mu bihugu vya Afrika yo musi ya Sahara n'Uburundi burimwo, hagiye gutangura gutangwa urucanco rukinga iyo ndwara ku bana bo kuva ku mezi 6 gushika ku mezi 11.

Ivyo vyaraye bitangajwe na Muganga Jean Claude Bizimana Umuyobozi w'umugambi w'igihugu ujejwe incanco mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu no kurwanya SIDA mu Burundi. (PEV).

Hari mu kiganiro yahaye abamenyeshamakuru ku wa 14 Ntwarante 2025.

Nk'uko uwo muyobozi abivuga, ngo urwo rucanco rwari rwitezwe cane mu Burundi. «Imyaka itatu yose yari iheze turuharanira tutararuronka. Vyadusavye kwiruka cane».

Muganga Jean Claude Bizimana arongerako ati: « Urwo rucanco ni iyindi ntambwe ikomeye cane mu bundi bwigoro bwinshi bwa Reta y'Uburundi mu kurwanya Malariya.»

Atanga akarorero k'itangwa ry'imisegetera mw'isekeza ryama riba buri myaka itatu, gupompa ahabangamiwe n'imigera ya Malariya gusumba ahandi, gukingira Malariya abakenyezi bibungenze n'ibindi.

**Urwo rucanco ruzohabwa bande?**

Urwo rucanco rugenewe abana bakiri bato guhera ku mezi 6 gushika ku mezi 11. Ruzotangwa ku ncuro zine.

Abahawe incuro ya mbere, bazoca bahabwa incuro ya kabiri inyuma y'ukwezi kumwe, bahabwe incuro ya gatatu inyuma y'amezi atatu ufatiye ku ncuro ya mbere, hanyuma bahabwe incuro ya kane inyuma y'amezi 12 ufatiye ku ncuro ya mbere nyene.

Muganga Jean Claude Bizimana avuga ko abaganga basanzwe batanga incanco bigishijwe neza ingene urwo rucanco ruzotangwa n'ingene bazogenda bakurikiranya izo ncuro.

**Nta nkurikizi mbi rufise?**

Uwo mukuru w'umugambi ujejwe incanco mu Burundi araremesha abarundi muri rusangi n'abavyeyi ku buryo budasanzwe ko urwo rucanco ari urucanco rwizwe neza, rwizewe n'ishirahamwe mpuzamakungu riharanira amagara y'abantu OMS kandi ko rwakwirikije ibisabwa vyose n'iryo shiramwe mu kugenzura incanco zitangwa kw'isi.

Urucanco ruzotangwa mu Burundi ngo n'urucanco rudasanzwe rwageragejwe bikwiye ku bijanye no gukinga Malariya.

Mu gihe mu Burundi abantu bapfa kubera indwara ya Malariya



bangana 1% y'abantu bapfira mu bitaro no mu mavuriro, abajejwe igisata c'incanco basaba abarundi bose cane cane abavyeyi kutiyobagiza rino bakwe abarundi bagiriwe ryo kuronka urucanco rukinga Malariya.

Muganga bizimana ati: « Urucanco ruzotangwa ku buntu, kandi tururonse turushashaye.»

**Urwo rucanco ruzotangirwamwo ni hehe?**

Mu ntango, urwo rucanco ruzotangwa mu ntara icenda z'Uburundi ari zo Bubanza, Cibitoke, Ngozi, Kayanza, Kirundo, Muyinga, Cankuzo , Rutana na Ruyigi. Uburundi bugize igihugu ca 18 kironse urwo rucanco mu bihugu 52 bigize Afrika.

Mu karere ka Afrika y'Ubuseruko, igihugu cari kimaze gutera iyo ntambwe ni igihugu ca Kenya gikoresha urwo rucanco mu gihugu cose.

Ibindi bihugu bigiye gutangura gukoresha urwo rucanco ubwa mbere nk'Uburundi ni igihugu c'Ubuganda, igihugu ca Etiyopiya n'igihugu ca Republika iharanira Demokarasi ya Kongo.

Mu ntango ibihugu vyose biriko birahabwa urwo rucanco bihabwa incanco umuliyoni umwe gusa. Ivyo bituma igihugu gica ciyumvira umurwi w'abantu ubangamiwe cane, bakaba ari bo baherako mu guha urwo rucanco.

Mu Burundi, ababijejwe basanze urucanco rwohabwa abana kuva ku mezi 6 gushika ku mezi 11. Iyugururwa ry'icese ryo gutanga urwo rucanco rizobera ku bitaro bikuru vya Mpanda mu ntara ya Bubanza, ku wa 17 Ntwarante 2025.

Urucanco ruzoca rubandanya rutangwa no mu zindi ntara nk'uko bitegekanijwe. Abana bazoronkera incanco ku mavuriro nk'uko bisanzwe bigenda kuzindi ncanco.

*Mélance NDAYIKEZE*

# Igiti n'akamaro kaco

Muri kino gihe harumvikana ubushuhe burenze. Ivyo bikaba biri mu bimenyetso bigaragaza ko hariho ihindagurika ry'ikirere nkuko twabibabwiye mu no ya 834 y'ikinyamakuru Ndongozi y'Uburundi. Igiti kikaba kiri muri bimwe bituma ikirere kimera neza, ubushuhe bukagabanuka. Kikaba gifise n'akamaro kenshi mu buzima bw'abantu n'ibidukikije.

**Igiti mu kugira neza ikirere.**

Abahinga mu gisata co gukingira ibidukikije, bavuga ko igiti cakira icuka kibi « dioxyde de carbone» kiri mu kirere, kigaheza kikarekura umwuka utuma ikirere kimera neza «oxygene». Uwo mwuka mwiza ugatuma abantu bagira amagara meza.

Ico cuka kibi nkuko Papa Fransisiko abitubarira mw'ikete Laoudato Si mu gice ca gatatu, kiva ahanini ku bikorwa bimwe bimwe vya twebwe abantu.

Twovuga nko guturira amashamba, guturira ivyatsi vyo mu ndimo, imyanda dusanga yandagaye hose na cane cane iyigizwe n'amaplastike, imyotsi yo mu mahinguriro, imyotsi iva mu miduga n'ibindi. Iyo rero hari ibiti vyinshi, bica bituma mu kirere hamera neza, ivyo vyuka bigaca birengerwa na wa mwuka mwiza uva mu biti.

**Igiti mu kubungabunga ibidukikije.**

Amashamba arafise akamaro kanini mu kubungabunga ibidukikije. Mu mashamba niho ibikoko vyinshi biba. Ibiti na cane cane ivyamwa, bituma ibikoko vyo mwishamba bironka ico birya. Bituma bironka aho vyugama izuba, n'imvura.

Amashamba abera ibikoko ico amazu amariye abantu.Ni mu mashamba ibikoko birondokera. Uguhona rero kw'amashamba, bituma haba uguhona kw'ibikoko, kuko bitaba bigifise aho biba, aho birondokera, nico birya.

Ariko kandi nivyo bikoko bikaba bifise akamaro kanini mu gutuma amashamba adahona kuko biheza bigakwiragiza hose ubwoko bumwe bumwe bw'ibiti cane cane ivyamwe kuko amase yavyo aba arimwo imbuto zimwe zimwe zivyamwa birya , aho vyataye amase hagaca hamera ibindi biti. Ibiti bigatuma amazi yo mu misozi adakama kubera ko amashamba akinga uruzuba rutuma amasoko akama.

**Igiti mu gukingira inkukura**

Mu gihe abahinga mu vy'indimo bavuga ko inkukura ituma isi iitituka, igiti naco kirakinga cane inkukura. Amababi y'ibiti, atuma umuvuduko w'amazi y'imvura utaba mwinshi.

Ivyo bigatuma ata mivo y'amazi itemba ari nayo ituma haba inkukura n'imyuzurira y'inzuzi. Amababi kandi iyo yaguye hasi aratuma imvura iguye amazi adashoka atemba. Amazi aho gutemba aca anyegetera mwayo mababi.Ivyo bica bituma isi ndimwa igumana akanovera. Kubera imizi yivyo biti, inkukura ntishoka ihitana isi. Bigatuma isi imera cane maze bikagwiza umwimbu.



**Igiti n'amagara y'abantu.**

Abahinga baravuga ko iremba ry'ibiti rituma umuntu agira amagara meza. Iyo umuntu arushe akihweza iremba ry'ibiti, bituma abantu baruhuka. Imiti myinshi ihingurwa iva mu biti. Ni mu mashamba kandi abavuzi b'imiti kama bakura imiti bakoresha mu kuvura abantu. Ibiti vy'ivyamwa navyo bikaba bifise akamaro kanini ku magara y'abantu no kwiterambere ry'ingo n'imiryango ndetse n'igihugu.

**Igiti n'iterambere ry'igihugu.**

Amashamba arafise akamaro kanini cane mw'iterambere ry'igihugu. Igihugu gifise amashamba kiratuma igihugu kigira ishusho ryiza, bigatuma barukera rugendo baza bagana igihugu ivyo bigatuma igihugu kiharonkera ubutunzi kuko baheza bagasiga mu gihugu amafaranga y'agaciro.

Mu gihe rero womengo akamaro k'igiti kariko karibagirwa, abantu bomenya ko igiti ari ngirakamaro. Umurundi wese akiyumva ko ateye igiti aba akijije ubuzima bwiwe n'ubwabenewabo.

Maze twihatire gutera ibiti, haba impande y'amazu ku baba mu gisagara; mu mirima tugarukire ibiti bibangikana n'ibiterwa, umuntu wese yumve ko ukubunganbunga isi yacu ari igikorwa ngombwa kandi ngirakamaro.

Amashamba akigirwe kuko afise akamaro kanini mw'iterambere ry'igihugu cacu, mu gukingira ikirere no mu kubungabunga amagara y'abantu.

*M S V Marie Goreth Ndikumana*

# Ikiza c'ibihara vy'inkende (M-Pox) kiguma kirandagata

Mu Burundi, ntawokwiyobagiza ko ikiza ca Mpox kihatse indaro kandi ko hacibonekeza ibiharuro vyinshi n'abarwayi bamerewe nabi cane. Umurundi wese ategerezwa gufata ingingo zo kwikingira kandi atawigira sindababazwa nk'uko vyakozwe mu gihe c'ikiza Covid-19

Mu kiganiro ubushikiranganji bw'amagara y'abantu bw'atunganije kumwe n'abarongoye ibimenyeshamakuru ku wa 4 Ntwarante 2025 i Bujumbura, abahinga batandukanye barerekanye ibiranga ikiza Mpox n'ingene twocikingira.

Nk'uko vyashikirijwe na Muganga Oscar Ntihabose umuyobozi mukuru ajejwe ibikorwa mu mavuriro n'ubuvuzi bubereye mu bushikiranganji bw'amagara y'abantu no kurwanya SIDA, umuntu wese ngo ategerezwa kunyaruki-ra kwa muganga igihe cose yibonyeko ibimenyetso vy'ikiza Mpox. Ivyo bimenyetso navyo ni ubushuhe, kubabara mu ngingo, uburuhe, gutakaza akayabagu, guhema nabi, gucibwamwo n'ibindi.

Nkuko uwo muganga abivuga, ivyo bimenyetso ngo turabisanga no mu zindi ngwara zisanzwe zimenyerewe nka Malariya n'izindi. Ngo ni co gituma biba bikenewe cane ko umuntu yiyumviseko ikimenyetso na kimwe muri ivyo yokwihutira kwa muganga, hoho bafise ubushobozi bwo kubona neza ikibazo afise.

Muganga Oscar Ntihabose amenyesha kandi ko ibiza nka Mpox, Covid-19 ha n'ibindi bimeze nkivyo ko vyoroshe gutuza iyo abantu babihagurukiye bakanagamburuka amabwirizwa y'isuku. Ati: «Iyo abantu bagize isuku, bagakaraba kenshi bakongera bakikingira, izo ndwara zimara umwanya muto».

**Mu kwikingira Mpox abantu bobigenza gute?**

Abarundi ngo baragize inguvu nyinshi mu kurwanya ikiza Covid-19. Uburyo bwagwanijwemwo ico kiza ni nabwo bwokoreshwa mu kurwanya Mpox kandi ngo ico kiza cotuzwa burundu nk'ibindi biza vyose.

Uburyo burashe bwo kurwanya Mpox ngo ni ukwirinda kwandukirwa no kwandukizanya. Ivyo ngo vyokorwa:

1. Mukwirinda kubana n'ibikoko no mukutarya inyama z'ibikoko vyapfuye;

2. Kugabanya gukoranako no kwirinda gukora ku bantu barwaye canke bafise ibimenyetso vy'iyo ndwara;

3. Kwirinda cane imibonano mpuzabitsina kuko muri ivyo bikorwa n'umuntu atakimenyetso na kimwe afise ashobora kwanduza muge-nziwe;

4. Gufubana iteka abitavye Imana ariko hakoreshejwe uburyo bwizewe bwo kwirinda kwandura mukudakora k'uwitavye Imana, ku bikoresho vyiwe impuzu n'ibindi.

**Ibiharuro vyerekana iki kuri Mpox mu Burundi?**

Kuva ikiza Mpox gitangajwe icese mu Burundi ku wa 25 Mukakaro 2024, hamaze gufatwa abantu bagera ku 3 588. Muri abo bose, umuntu umwe wenyene niwe amaze kwitaba Imana biturutse kuri ico kiza.

Gushika ku wa 02 Ntwarante 2025, abantu 7 573 nibo bamaze kwikekwako ibimenyetso vy'ico kiza. Harakozwe ibipimo bishika ku 7 204. abantu 136 nibo bari bakiriko barakurikiranwa mu bitaro bitandukanye biri mu Burundi. Bisigura ko abantu 3451 baramaze kuvugwa kandi bagakira neza bagasubizwa mu miryango yabo.

Dufatiye ku gitsina gabo n'igitsina gore, ibice 52% vy'abamaze kwandura ni abagabo. Ibice 48% navyo ni abagore.

Dufatiye ku myaka naho, ibiharuro vyinshi ni abantu bari hagati y'imyaka 20 na 30. Abana bafise musi y'imyaka 5 baza ubwa kabiri dufatiye ku mirwi y'abantu hisunzwe imyaka bafise.

**Uruhara rw'ibimenyeshamakuru mu kurwanya ibiza ni uruhe?**

Muganga Inès Roselyne Nduwimana, icariho c'umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya SIDA, aremeza ko uruhara rw'ibimenyeshamakuru ari ntasubirizwa mu gihe c'ibiza nk'ico turimwo mu Burundi.

Kuri we, amakuru atanzwe neza arakiza ubuzima. Amakuru a-tanzwe nabi nayo akadurumbanya imitima n'igihugu. Nico gituma ibimenyeshamakuru ngo bitegerezwa gutanga amakuru ajanye no kwikingira. Ibimenyeshamakuru kandi ngo ni igikoresho kidasanzwe mu kurwanya ibihuha n'amakuru atariyo ku bijanye n'ibiza.

Ku bwa Muganga Inès Roselyne Nduwimana, mu gihe twugarijwe n'ikiza Mpox, ibimenyeshamakuru ngo nibitange inkuru zitohojwe neza kandi zizewe kuri Mpox. Vyongeye, ivyo bimenyeshamakuru birabe neza ko izo nkuru zashikiriye abantu benshi bashoboka cane cane ba nyarucari.

Tubamenyeshe ko hambavu y'ikiza Mpox camaze gutangazwa icese mu Burundi, igihugu kirahanzwe n'ikiza c'umugera wa Marburg umaze gutangazwa icese mu gihugu kibanyi ca Tanzaniya.

Ubushikiranganji bw'amagara y'abantu mu Burundi busaba abarundi kuguma barikanuye na cane cane ko ico gihugu kimaze kwibonekezamwo uwo mugera gisanzwe ari igihugu kibanyi c'Uburundi.

*Mélance NDAYIKEZE*

# Ibikorwa vyo kunywanisha abarundi birihuta ariko bikeneye uburyo bwinshi

Ukurekuriranira n'ukunywana bishitse ni umutwaro n'umwitwarariko udasanzwe ku murwi w'igihugu CVR ujejwe kumenya ukuri no kurekuriranira ku mabi yabaye mu Burundi. Ivyo bisaba ukwitanga kw'abarundi atanumwe avuyemwe kuko umwe wese afise uruhara n'ico yokora kugira ngo iyo ntambwe ishoboke. Vyongeye, ni igikorwa gisaba uburyo bwinshi kugira ngo kiranguke neza.

Mu kiganiro umurwi CVR watunganije ku wa 7 Ntwarante 2025 ku vyokorwa ngo ibikorwa vyo kumenya ukuri, kurekurira no kunywanisha abarundi biranguke neza, Petero Claveri Ndayicariye arongoye uwo murwi yarerekanye aho bagejeje ikivi bashinzwe adasize inyuma n'intambanyi bahura. Ati : «Inzira yo kuvugana ukuri kuri kahise no kurekuriranira ni inzira igoye gucamwo kuko irimwo imitego myinshi. Ariko turemera ko iyo nzira ari nkenerwa kugira ngo twubake Uburundi bwa bose, aho umurundi wese abaho yumva ko ari mu gihugu ciwe. »


Avuga ko umurwi CVR wagiye urumviriza abarundi n'abanyamahanga batandukanye kuri ico kibazo. Ati : « Ivyo batubwiye biratomoye, kandi vyavuzwe n'abava mu mihingo itandukanye, mu bwoko butandukanye, no mu bihugu bitandukanye ».

Nk'uko Petero Claveri abivuga, abantu ngo bashikiriza ivyiyumviro bitandukanye ariko vyose bikomeye cane mu nzira yo kumenya ukuri no kurekuriranira mu ntumbero yo kwubaka Uburundi bushasha.

Abarundi bavuga bati : «Twebwe ntakindi tubasavye. Nimutsimbataze amahoro mu Burundi akabi kabishe ntikaze gasubire » ; « Muraturonsa inshumbusho mpozamarira kuko iyo tutashikirwa n'ivyashitse tuba dufise ico twiha n'ico duha abacu » ; « Muraduha uturyazagu… » ; «Twebwe dukeneye kuvurwa ibikomere kuko ubwicanyi bwaduciyeko bwatumye duhababuka»; « Dukeneye gukingirwa»;

Abandi bati: « Reta ni umuvyeyi wa bose. Abwirizwa kwitwararika abana bayo bose. Ariko, iyo Reta nyene ni yo yagarutse kutumara kuko twiciwe n'abakozi bayo: abapolisi, abasoda, ibiduga vya gisirikare. None rero Reta ni yo yaduhekuye, niduhe inshumbusho » ; « Reta nitange nimiburiburi ku muntu wese yishwe imiliyoni izi n'izi » ; « Reta niyigishe abantu kubana no gusubiza hamwe »;

Hari n'abandi bavuga bati: «Nibabanze badusubize ivyacu vyasahuwe, amafranga yo mu mabanki hamwe n'imishahara abishwe batari bwahembwe » ; «Reta nirwize amashure, amabarabaraba n'izindi nyubako z'inshumbusho rusangi»; « Reta niyiteho abantu bose bahahabutse hamwe n'abafise ind-



wara zo mumutwe zaturutse ku rwimo maze ibavuze ku buntu »

Umukuru w'umuewi CVR ati : « Ivyo ni ivyiyumviro nyamukuru twakuye mu makomine ni mu ntara mu gihe twariko turarondera ibinogo rusangi. Hari n'ibindi vyinshi vyagiye birashikirizwa kandi vyose noi nkoramutima ku bikorwa vy'ingendo yo kumenya ukuri no kurekuriranira.

### Iyo nzira isaba uruhara rw'abarundi bose kugira ishoboke

Nk'uko abahinga bo mu murwi CVR babivuga, ngo inzira yo kuvugana ukuri no kurekuriranira ntishoboka mu gihe umurundi wese adashizemwo uruhara rwiwe. Urwo ruhara ni ntasubirizwa nk'uko bivugwa n'abarongoye CVR.

Abenegihugu basabwa :
1. Kuvugana ukuri ku vyabaye ata gushikuza, amabi yakozwe akamenyekana, abababaye bakamenyekana, abakoze amahano bakamenyekana ;

2. Ubutungane n'inshumbusho. Ivyo ntibisigura gusa imanza, bisigura cane cane gusubiza iteka abantu no kubasubiza ivyanyazwe ;

3. Ikiyago aho abayaga bayaga bahana. Babishoboye basangire akarwa, bahane abageni, hamwe hagize ibisubira gutera bobirwaniriza hamwe ;

4. Inyigisho n'indero: abantu bige kandi bamenye akamaro ko gusaba imbabazi ;

5. Uruhara rwa reta n'urw'inzego zabo: CVR yipfuza kubona abarongoye abandi aribo bofata iya mbere mu nzira yo kurekuriranira no gusubiza hamwe.

6. Umutima wikigongwe n'impuhwe : naho ikigongwe cotangwa nticoba nyakuri kitavuye ku mutima.

Twifuzako hotangwa ikigongwe kivuye ku mutima, atawuhatiwe gutanga ikigongwe, ariko ikigongwe kikava ku mutima kandi kikaba kirondera gushira imbere ineza rusangi.

*Biracaza*
***Mélance NDAYIKEZE***

# Uruhara rw'ibihugu mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'abakenyezi

Tuvuze uruhara rw'ibihugu mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'umukenyezi, dutegere ko ari ayo mategeko ashirwaho ku rwego mpuzamakungu kugira ngo ibihugu biyisunge mu gushiraho amategeko, kimwe kimwe ukwacobivanye n'ingene citunganije, yerekana i-ngene umukenyezi ategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwiwe butandukanye.

**I. Ingene amategeko mpuzamakungu ategekanya uruhara rw'ibihugu mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'abakenyezi**

Hari mu mwaka w'1979 igenekerezo rya 18 kigarama, mu gisagara ca New York, aho inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe, vyemeza amasezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi, bigatuma uburenganzira bwiwe butubahirizwa.

Ayo masezerano arerekana ico ibihugu vyayashizeko umukono bitegerezwa gukora kugira ngo vyubahirize uburenganzira bw' umukenyezi.

Tuja gushimikira ku bijanye n'amabwirizwa hamwe n'amategeko asabwa gushirwaho n'ibihugu yubahiriza uburenganzira bw'umukenyezi, ku bijanye n'ukudakumira umukenyezi mu ntwaro n'ubuzima bw'igihugu, hamwe n'ibijanye n'iyoroherezwa ry'umukenyezi mu kazi, haba mu kukaronka no mu kukarangura.

1.**Mu vyerekeye amabwirizwa n'amategekoasabwagushirwaho n'Ibihugu yubahiriza umukenyezi**

Nk'uko tubisanga mu gace "a" k'ingingo ya 2 y'ayo masezerano, ibihugu bisabwa kwandika mu mabwirizwa shingiro no mu yandi mabwirizwa abigenga, ko umugabo n'umukenyezi bangana muri vyose, hagashingwa kandi amategeko yubahiriza umukenyezi kandi inzego zibijejwe zigacungera ko ayo mategeko n'amabwirizwa akurikizwa.

2. Mu vyerekeye kuzeza amabanga umukenyezi mu ntwaro n'ubuzima bw'Igihugu Ingingo y'7 y'amasezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi, ivuga ko ibihugu vyayashizeko umukono bifata ingingo zose kugira ngo harandurанwe n'imizi ikumirwa ry'umukenyezi mu vy'intwaro no mu buzima bw'igihugu bikanamuha ububasha bungana n'ubw'umugabo mu vyerekeye:

- Gutora no gushobora kwitoza mu nzego zose zikeneye amatora

- Gufadikanya n'abandi mu gushinga no kurangura imigambi ijanye n'intwaro y'igihugu, no gushobora gushingwa amabanga ayo ari yo yose mu nzego z'igihugu.

- Kuja mu mashirahamwe ategamiye reta ariko akaba afise ico avuga ku vyerekeye ubuzima n'intwaro vy'igihugu.

**3. Mu vyerekeye kuronswa no kurangura akazi**

Ingingo ya 11 y'amasezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi, ivuga ko ibihugu vyayashizeko umukono, bifata ingingo zose zishoboka kugira ngo haranduranwe n'imizi ikumirwa ry'umukenyezi, aterwe agateka gaterwa umugabo mu vyerekeye kuronswa akazi, na cane cane:

- Uburenganzira bwo kuronka ibikorwa nk'uko bisanzwe biri mu mateka n'amategeko yubahiriza zina muntu wese,

-Uburenganzira bwo kunganya amahirwe yo kuronka akazi, hagakurikizwa ingingo zimwe mu kugatanga

- Uburenganzira bwo kwihitiramwo umwuga n'akazi, uburenganzira bwo gutera imbere mu kazi, kuguma mu kazi n'ayandi mabanga yose n'uburyo gakorwamwo, uburenganzira bwo kwiga umwuga, kuwurangura no gukarisha ubwenge mu kazi,

- Uburenganzira bwo kuronswa umushahara ungana ku gikorwa gisa no mu gushimirwa bigaragara mu gihe akazi karanguwe kasavye ingoga n'umwitwarariko birengeje,

- Mu kubungabungirwa ubuzima haba mu gutegekanirizwa kazoza bizomufasha agiye mu karuhuko k'izabukuru ku mvo z'ubusaza canke bivuye ku zindi mvo, kuronswa akaruhuko gategekanijwe n'amategeko agatako akagahemberwa

- Kubungabungirwa amagara, agakingirwa mu kazi, bakamurinda n'impanuka zose zoturuka ku kazi akora zigatuma ibanga ryiwe ryo kurondoka ribangamirwa,

Izi ngingo zitandukanye ziri mu masezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi duhejeje kurabira hamwe, zirerekana uruhara ibihugu bitandukanye vyayashizeko umukono, bitegerezwa kugira mu ntumbero yo kwubahiriza uburenganzira bw'abakenyezi.

Uru ruhara rero ntirugarukira ku rwego mpuzamakungu gusa, no ku gihugu kimwe kimwe ukwaco nko ngaha iwacu mu Burundi, igihugu kiragira uruhara rudasanzwe kugira ngo uburenganzira bw'abakenyezi bwubahirizwe.

Ibikur. urup. 11

# Uruhara rw'ibihugu mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'abakenyezi

(Bitangurira ku rup.10)
Urwo ruhara nirwo tugira turabire hamwe ingene amategeko y'Uburundi arutegekanya.

**II. Ingene amategeko ategekanya uruhara rw'Uburundi mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira bw'abakenyezi**

Uburundi ntibwareze a-maboko ku bijanye n'uruhara bufise kugira ngo uburenganzira bw'abakenyezi bwubahirizwe, kuko hariho amabwirizwa n'amategeko ata-ndukanye bwagiye burashiraho, yerekana ingene abakenyezi bategerezwa kwubahirizwa mu burenganzira bwabo, kuva bwemeje amasezerano mpuzamakungu yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi.

Tuja gushimikira ku yo muri kahise ka hafi, ku vyerekeye amagara meza, gushira abakenyezi mu nzego z'igihugu zifata ingingo hamwe rero no guteza imbere umukenyezi mu gateka no mu butunzi vyiwe.

**1. Kubijanye n'amagara y'abakenyezi**

Muri iki gisata, igihugu c'Uburundi carashizeho amategeko yerekana ingene abakenyezi bategerezwa kwubahirizwa, amagara yabo akaguma yitaweho.Ayo nayo ni:

a) Itegeko no 100/ 38 ryo ku wa 16 ntwarante 2010 risubiramwo itegeko no 100/136 ryo ku wa 16 ruheshi 2006 ryerekeye kuvuza ku buntu abana batarashikana imyaka 5, no gukorera ku buntu ivyankenerwa bijanye no kwibaruka ku bakenyezi bibarukira ku bitaro vy'Igihugu, no mu bitaro vy'abikorera ivyabo ariko bifitaniye amasezerano n'inzego z'igihugu zijejwe ico gisata.

b) Mw'ibwirizwa no 1/11ryo ku wa 24 munyonyo 2020 ryerekeye amategeko y'akazi mu Burundi, ingingo ya 273 ivuga ko umukenyezi yibungenze iyo akazi akora gashobora kubangamira amagara yiwe, aca ahindurirwa igikorwa avyisabiye canke umukoresha abibonye imbere y'igihe, mu ntumbero yo gukingira amagara yiwe.

c) Ibwirizwa nomero 1/13 ryo kuwa 22 nyakanga 2016, rikinga amabi akorerwa abakenyezi, rigakingira abayakorewe mu kubaha inyigisho kugira ntibahave bagira inkurikizi zijanye n'indwara zo mu mutwe, rikongera rikarwanya ayo mabi.

Ni muri iryo hangiro itegeko nshikiranganji no 225/630/530/550/179 ryo ku wa 23 ruhuhuma 2023 rishinga ingene ibigo bijejwe gufasha abo bose bakorewe amabi afatiye ku gitsina bikora, ryashizweko umukono n'abashikiranganji mu vyo bajejwe harimwo amagara y'abantu, intwaro yo hagati mu gihugu, ubutungane n'agateka ka zina muntu .

Muri ivyo bigo, hararungikwayo abanonosoye ibijanye n'inyifato, umuganga, abaforoma babiri n'abafasha abaforoma babiri nyene, inyamiramabi zibiri, kugira ngo abakorewe amabi bashobore gufashwa haba mu vyerekeye amagara, kwitura ubutungane ndetse no kubumviriza kugira ntibahave bihebura biturutse ku vyo baba bakorewe.

Tubisanga mu ngingo za 3, 4 na 6 z'iryo tegeko nshikiranganji.

**2. Kuvyerekeye gukingira umukenyezi ikumirwa ryoturuka ku migenzo**

Ibwirizwa nomero 1/13 ryo kuwa 22 nyakanga 2016 rikinga amabi akorerwa abakenyezi rigakingira n'abayakorewe, ryarashizweho mu ntumbero yo kurwanya ivyo vyose bikumira umukenyezi, vyaba ibifatiye ku migenzo, nko ku tugani tumwe tumwe tw'ikirundi, dutanga inyigisho zitesha agaciro umwana w'umwigeme, akaba ari we mukenyezi muri kazoza.

**3. Mu bijanye n'ishirwa ry'abakenyezi mu nzego z'igihugu zifata ingingo,**

Habamu nama nshingamateka ndetse no mu nama Nkenguzamateka, abakenyezi bategerezwa guserukirwa n'imiburiburi ku rugero rw' ibice 30 kw'ijana.

Tubisanga mu ngingo y'169 no mu y'185 mu gace ka 2 z'Ibwirizwa nshingiro.

**4. Mu bijanye no kwiteza imbere no guteza imbere umukenyezi mu gateka no mu butunzi vyiwe**

Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu no 100/072 ryo ku wa 8 rusama 2020 rishinga ibanki y'abakenyezi yo kuziganya no kuguranana, ryarashizweho mu ntumbero yo kuronsa bitagoranye abakenyezi imitahe yo kurangura imigambi y'iterambere kandi ku nyungu itavuna.

Mu gusozera, biragaragara ko haba ku rwego mpuzamakungu ndetse no ku rwego rw'ibihugu, kimwe kimwe cose uko citunganije nko ngaha iwacu mu Burundi, ibihugu biragira uruhara rudasanzwe mw'iyubahirizwa ry'uburenganzira butandukanye bw'abakenyezi.

Urwo ruhara rugaragarira mu mategeko n'amabwirizwa ashirwaho, yerekana ingene uburenganzira ubu canke buriya butegerezwa kwubahirizwa.

*Ikigo kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »*

# Ukugira ubuzima bushasha mu kwakira Ukaristiya ( Luka 22, 14-20)

*(Bitangurira ku rup.5)*



Inkuka Bene Israyeli bahereza ari zo : inkuka itokombezwa (holocauste), inkuka y'ibicumuro (sacrifice pour les péches), inkuka y'ubunywanyi (sacrifice de communion), zari zifise iyo ntumbero. Zabura inkuka Yezu Kristu azohereza ku musaraba kugira ngo mu kwitanga kwiwe, arokore/ akize abantu abantu abanje gusesa amaraso yiwe.

Yamara rero, nkuko ibaruwa ry'Abaheburayo rivyemeza, «*Ntibishoboka ko amaraso y'impfizi n'amasuguru akura ibicumuro. Ni co gituma mu kuza kw'isi Kristu yavuze ati: « Imbagwa n'amashikanwa ntiwabishatse ariko wanteguriye umubiri. Inkuka n'imbwagwa zo kwishura ibicumuro ntiwazishimye. Niho rero navuga nti : Ndarengutse (…) kugira ngo nkore ivyo ushaka wewe Mana*» (Abaheburayo 10,4-5).

None Yezu yabiranguye ate. Mu kwitangako inkuka ku kalvariyo.

c) Inkuka yatanze.

Yezu Kristu yaje kunagura ku buryo bwuzuye ivyo Imana yari yategekanije vyose kugira ngo umugambi w'urukundo yagiriye abantu uranguke.

Inkuka Imana yategetse na zo ni 3 :

a) Inkuka itokomberezwa Umukama uko yakabaye yose (Holocauste): umwagazi baturirira kw'altali ngo ubere abawuhereje uburyo bwo gusenga (adoration) no kuninahaza Imana.

b) Inkuka y'ibicumuro: umwagazi /igitungwa basogota amaraso baka-yamijira altali ngo yishure ibicumuro vyabo kandi babirekurirwe (sacrifice pour les péchés)

c) Inkuka y'ubunywanyi: igitungwa babagira Umukama, igice kimwe kigaturirirwa umukama, ikindi kigafungurwa n'abaje guhereza ngo bakomeze ubunywanyi bwabo n'Imana mu gusangira nayo (sacrifice de communion).

Ku Kalvariyo ni ho Yezu yaranguriye ku buryo bwuzuye izo nkuka zabura ukubabara, ukubambwa no mu gupfa ku musaraba. Nkuko igitabu c'insorongoro y'imvugo ikoreshwa muri Bibiliya (VTB page 1167) ibivuga :

 Inkuka Yezu Kristu yatanze niyo ikoranya kandi ikarangura ku buryo bushitse inkuka zose zo mu Bwuzure bwa kera.

 Niwe nkuka itokombezwa

 Ni we nkuka yishura ibicumuro

 Ni we nkuka y'ubunywanyi ; nkako nyene :

 Ni we 'Mwagazi' yitanze wese ataco yisigarije (holocauste) ngo Imana Se ininahazwe

 Ni we 'Mwagazi' wasogoswe, arasesa amaraso yiwe yose kugira abere incungu abacumuzi mu kubishurira, akubitwa izo bari gukubitwa, arabambwa, aricwa mu kibanza cabo. Aboneraho no kubatyoroza ayo maraso yiwe…

 Ni we 'Mperezwa' yunze ubumwe bw'Imana n'abantu kuko inkuka yiwe niyo yishuye umwenda twari dufitiye Imana, aturonkera atyo kwuzura n'Imana.

Nkuko Paulo mweranda abivuga neza ati : «Yatwujurije n'Imana kubw'inkuka yadutangiye ku musaraba (Ep 2,16) ».

Ku kalvariyo niho inkuka irangura ivya kera yatangiwe, nyene kuyitanga arabitangaza ati: « Vyose birarangutse». Araheza arajondamika umutwe aracikana (Yoh 19,30) ».

Ng'uyo rero uwitanze kugira ngo asubize vyose mu buryo. Nkako, Imana yashimye kumuvyagizamwo umusesekara wose. Kandi ku bwiwe yashimye kwuzura na vyose, ivyo mw'ijuru n'ivyo kw'isi (Abanyakolosi 1,19-20).

Iyo nkuka ya Yezu Kristu yatanze ku musaraba ku musozi wa Kalvariyo ari wo kandi bita Golgota, niyo yadukijije kandi ibandanya idukura ibicumuro n'urupfu.

Umuhanuzi Izaya yari yarabibuye ati : « Baramugiriye nabi nawe yicisha bugufi arihorera kurya k'umwagazi bashoye mw'ibagiro, kurya kw'intama umengo ni ikiragi imbere y'abayishikura ubwoya; ntiyakuye ururimi mu kanwa.

Baramufashe bamukwega mu rubanza. Ni nde ababaye kumuburanira? Baramukuye kuri iyi si y'abazima, baramukubita gushika apfe, azira ibicumuro vy'igihugu ciwe (…). Ariko nta na rimwe yari bwigere arenganya umuntu, nta kinyoma cari bwigere kimuva mu kanwa (Izaya 53, 7-9).

Imvo y'ayo magorwa yose, Izaya abanza kuyitomora ati : « I*bicumuro vyacu ni vyo vyatumye asogotwa. Akabi kacu ni-ko kamuvunaguye. Igihano caduciriye amahoro niwe caguyeko. Inguma ziwe nizo zadukijije (…) Umukama yamurunzeko amabi yacu, ibicumuro vya twese uko tungana*» (Izaya 53,5-6).

Ng'iyo inkuka Yezu yatanze ari yo yasubije mu buryo ivyari vyadabanganye vyose. Niyo yasubije iteka Imana. Niyo yishuye uibicumuro vyacu. Ni yo yatwujurije n'Imana.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***